# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

### ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU

Igisata co kumenyesha Amakuru mu Biro vya Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu, ku Ngoro yitiriwe NTARE RUSHATSI, kiri n'iteka ryo kumenyesha ko Umukuru w'igihugu ca Uganda, Nyenicubahiro Yoweri Kaguta MUSEVENI yaganiriye na Mugenzi we w'Uburundi, Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE, kw'iterefone.

Bamaze guca irya n'ino ibijanye n'imigenderanire hagati y'Uburundi na Uganda, ndetse n'ibibazo bitandukanye bijanye n'akarere, ikiyago cabo caciye gihagarara ahanini ku bijanye n'umwimbu wiyongereye bimwe bigaragara mu bihugu vyompi, haba muri Uganda canke mu Burundi. N'ubwo umwimbu wiyongereye, bompi basanze imvura hari aho yabaye nyinshi ikagira n'ivyo yononye, inzuzi n'ibiyaga biruzura. Prezida MUSEVENI yamenyesheje mugenzi we ko amazi y'Ikiyaga Victoria yarenze inkombe kubera ubwinshi, mu misi iheze. Prezida NDAYISHIMIYE na we nyene yabwiye mugenzi we ko ivyashikiye Uganda ari vyo vyashikiye n'Uburundi kuko amazi y'ikiyaga Tanganyika na yo nyene yarenze inkombe.

Mu gusozera, Nyenicubahiro MUSEVENI yasubiriye gutumira Umukuru w'Igihugu c'Uburundi kwitaba ibirori vyo kwimikwa bizoba mu kwezi kwa Rusama. Prezida Varisito NDAYISHIMIYE yemeje ko azokwitaba ubwo butumire, akazoja kumushigikira muri ivyo birori.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 27 Ndamukiza, 2021.

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*